Maine Equal Justice
People Policy Solutions

Abimukira bari musi y'urugero rw'ubukene
barashobora gusaba Marketplace imfashanyo yo kwivuza

Woba uzi abimukira bari mu gihugu muburyo bwemewe n'amategeko ariko badashobora kwemererwa MaineCare bivuye kuri statut yabo y'ubwimukira? Barashobora kuronswa imfashanyo yobasahiriza kuriha assurance yo kwivuza. Ibi ni ukuri kubera no mugihe amahera bakorera yoba ari musi y'ibice 100% vy'urugero rw'ubukene canke FPL (Federal Poverty Level), barashobora gusaba assurance y'igihugu yo kwivuza mw' ishirahamwe rya assurance yo kwivuza rizwi nka Marketplace.

Ngutu uturorero tw'abimukira bari mugihugu muburyo bwemewe n'amategeko bashobora gusaba imfashanyo:

- **Umuntu atagira aho akura amahera, amaze imyaka ine muri reta Zunze Ubumwe za Amerika yaje afise uburenganzira bwo kuhaba burundu.** Uyo muntu ntiyemerewe kuronka MaineCare kuko ni umuntu yemerewe kuba muri Amerika burundu akaba ahamaze imyaka iri musi y'itanu. Ariko ashobora kuronka imfashanyo yo kuriha assurance muri Marketplace, no mugihe amahera aronka yoba ari musi y'urugero rw'ubukene. Ibi bishoboka kubera atemerewe kuronka MaineCare bivuye kuri statut yiwe y'ubwmukira.
- **Umuntu ariko arasaba ubuhungiro afise uruhusha rwo gukora ariko adafise umushara.** Ntashobora kuronka MaineCare kubera ariko arasaba ubuhungiro. Abakiriko barasaba ubuhungiro bashobora kuronka MaineCare mugihe bibungenze canke bafise imyaka iri musi ya 21 gusa. Ariko arashobora kuronka imfashanyo muri Marketplace n'aho yoba ahembwa amahera ari musi y'urugero rw'ubukene. Ibi bishoboka kubera adashobora kuronka MaineCare bivuye kuri statut yiwe y'ubwimukira.

**Ngububwoko bubiri bw'imfashanyo zihabwa abimukira bahembwa amahera ari musi y'urugero rw'ubukene:**

- **Udushirukabute tuva kw'Ikori** – Abimukira bari mugihugu vyemewe n'amategeko bakaba bahembwa amahera ari musi y'ibice 400% vy'urugero rw'ubukene barashobora gusaba kugabanirizwa amahera bishura assurance yo kwivuza. Utwo dushirukabute turafasha kwishura assurance yo kwivuza muri Marketplace. Nibaba bahembwa amahera ari munsi y'ibice 133% vy'urugero rw'ubukene ntibazoriha assurance amahera arenga ibice 2% vy'umushararwa wabo. Umuntu adafise umushahara, azoronka assurance ataco yishuye.
- **Imfashanyo yo kuriha amahera assurance itishura** – Abantu babayeho munsi y'ibice 250% vy'urugero rw'ubukene nabo nyene barashobora kuronka

126 Sewall Street Augusta, Maine 04330-6822
Fax: (207) 621-8148 www.maineequaljustice.org

imfashanyo yo kuriha bimwe mu bice vy'amahera bitishurwa na assurance yo kwivuza. Ivyo navyo ni nk'amahera assurance itakurihira igihe ubonanye n'umuganga canke uguze imiti. Abimukira bari mugihugu m'uburyo bwemewe n'amategeko bakaba bahembwa amahera ari musi y'ibice 100% vy'urugero rw'ubukene bararonswa imfashanyo y'ayo mahera assurance itishura angana n'ayarihirwa n'abantu bafise umushahara ungana n'ibice 100%.

Hamagara uwugufasha avyemerewe kugira ngo wumve uko abimukira bahembwa amahera make bashobora kuronka imfashanyo ya Marketplace. Abafasha gusaba assurance bavyemerewe barashobora no gufasha abantu kwuzuza impapuro zo gusaba imfashanyo. K'urubuga www.enroll207.com hariho urutonde rw'abafasha bavyemerewe kuri buri zip code yose.

Kugira ngo umenye n'ibindi kuvyerekeye kwemererwa imfashanyo yo kwivuza kubimukira, hamagara Kathy Kilrain del Rio wo muri Maine Equal Justice Partners. Hamagara (207) 626-7058, wongereko 210 canke wandike email kuri kkilraindelrio@mejp.org.